**ENGAGING FOR ACTION IN BURUNDI (EFAB-Biraturaba)**
**Washington DC, USA**

Igenekerezo rya 18 Ntwarante 2015

## <u>Itangazo ku vyerekeye umutekano, ubwicanyi buriko buba mu Burundi</u>

EFAB – Biraturaba ni ishirahamwe rya barundi baba muri Canada na America rikora muguterera agacumu k'ubumwe kwubaka u Burundi mu guhimiriza abarundi baba mumahanga kwubaka uburundi mu vy'iterambere, imibano n' intwaro.

Ishirahamwe EFAB Biraturaba, riratewe impungenge nuko igihugu cacu camavukiro cifashe ubu; kikaba gifashwe nabi cane n'abo kiramuye ngo cogorore,gitere imbere,aho kiviriye mu ntambara yamaze imyaka myinshi, igahitana vyinshi na benshi.

Twihweje ibikorwa bigayitse, vy' ukudahana, n'umutekano muke; turavye y'uko twegereje amatora, n' ibihe bibi,vy'ubwicanyi, ubukene, umutekano muke , EFAB-Biraturaba isavye leta ibi bikurikira:

1. Leta ya Nyakwubahwa Petero Nkurunzinza irasabwe kuvuga imvugo yubaka bene Burundi aho kubatandukanya mu mvugo y'amacakubira kuko bimaze iminsi vyibonekeza mu rwandiko rwa CNDD-FDD Bubanza rutera amacakubiri rumaze iminsi rwigisha abarundi bonse rimwe;
2. Turasavye leta ko igira amatohoza kubishe ababikira b'abataliyano kugira abakoze ubwicanyi bw'agahomeramunwa bakubitwe intahe mu gahanga;
3.Leta irasabwe gukora amatohoza y'abateye bakagira ubwicanyi ndengera butungane mu Cibitote, ikabafata ikabashira mu Butungane;
4.EFAB-Biraturaba iravunira urugohe leta y'uburundi gukora ukw'ishoboye kwose mu guhana ivyaha; hamwe itohana abakora ivyaha vyubwicanyi tuzi,bizoyigarukako, kandi zimwe mu ngaruka n'izo kuja muri sentare mpuzamakungu ihana ivyaha y' I La Haye;
5. Turavye igitero cabereye muri province ya Cibitoke cahitanye abantu bashika 99 Leta ikaba itigeze ivuga abateye Igihugu canke ngo igire amatohoza kurubwo bwicanyi, turasavye rero ko amatohoza agizwe n'umugwi wigenga yokorwa kugira abarundi n'amakungu bamenye abateye n'abishe barya barundi baguye mu Cibitoke;
6. Turavye urwandiko rugarukana amacakubiri mu Burundi ruriko rurakwiragizwa mu Gihugu cose,tukaba twibuka inganda zatikijwe n'ako karanda k'amacakubiri y'amoko, dusavye dushimitse ko umushingamateka Juvenal Havyarimana akaba ari nawe arongoye CNDD-FDD mu ntara ya Bubanza ko yorengutswa mu nama nshingamateka hamwe no mu butungane kugira asigure neza intumbero y'urwo rwandiko n'ico rugamije;

7. Turavye ukuntu inzego z’umutekano zimaze kuronka icubahiro mu makungu, nka Somariya, na Repubrika yo muri Centrafrika, dusavye yuko zitokwemera gukoreshwa n’umugambwe uri ku butegetsi kuko amakungu yohava azifatira ibihano kandi zari zimaze kuronka izina rurangiranwa;
8. Turasavye nyakwubahwa Petero Nkurunziza gufata nkakama impanuro zitandukanye zimuhamagarira kutitoza ubwa gatatu, kuko uretse ko ari uguhonyanga amasezerano ya Arusha n'ibwirizwa nshingiro, ari ikibazo kimaze kugaragara ko coba intandaro z'ingorane nyinshi mu Burundi no mu karere k'ibiyaga binini;
9. Turiyamirije iterabwoba n’ubwicanyi butegurirwa canke buhakwa kugirirwa abanyapolitike bamwe bamwe, n’abo mu mashirahamwe y’ingega, abameshamakuru,n’ imiryango yabo, kandi dusaba ko abo babisha bofatwa bagahanwa;
10.Turakebuye inzego z'umutekano kwirinda amohe y'abanyepolitike boshaka ku bakoresha ibitandukanye no gukingira abanyagihugu bose. Ntizitakaze izina rurangiranwa bamaze kuronka mu makungu. Nkuko vyabonetse mw'isi iyo badohotse kw'ibanga ryabo inkurikizi ziboneka umwe wese mu giti ciwe;
11.Turahamagariye abarundi bose muri rusangi guhagaranira amahoro,birinde abobacanishamwo bose. Iyo umutekano ukenye nibo barara rubunda, bavyara ntibaheke, barima ntibimbure. Nta mpamvu n'imwe yotuma abarundi twama mu ndyane uko imyaka cumi canke cumi n'itanu iheze kubera inyungu z'abanyepolike bamwe n'abandi.
12.Turibukije ko umugwi utegura amatora CENI wokora uko ushoboboye kwose ugategura amatora meza atazozanira abarundi akaga,

Mu kurangiza, ishirahamwe EFAB Biraturaba rirasavye ryivuye inyuma leta y’u Burundi gukora neza igakorera abarundi bose bo mu bwoko bwose, imigambwe yose kugira umutekano n’iterambere birame mu gihugu cacu. Dusavye ko abarundi bofatana mu nda muri kino gihe bagasenyera k’umugozi umwe nk’uko abasokuru babituraze.

Bigiriwe i Washington DC

Igenekerezo rya 18 Ntwarante 2015

Ku bw’ishirahamwe EFAB- Biraturaba

Pascal  Akimana

+1 413 5578486